NKENGUZAMATEKA
Adresse : Avenue du Peuple Murundi
B.P. : 114 Gitega
Tél : (+257) 22 40 50 23
22 40 50 08
Site Web :www.senat.bi
e-mail :info@senat.bi

N.Réf. : SNB/COM V/.../2023

Commission permanente chargée des questions administratives, de décentralisation et du contrôle de la représentativité dans les institutions.

REPUBLIQUE DU BURUNDI

Gitega, le 02/02./2023

A Son Excellence Très Honorable Président du Sénat

à

Gitega

Objet : Transmission d'une question orale

Excellence Très Honorable Président,

J'ai l'honneur de vous transmettre en annexe à la présente, la question orale adressée au Ministre de l'Intérieur, du Développement Communautaire et de la Sécurité Publique par la commission permanente chargée des questions administratives, de décentralisation et du contrôle de la représentativité dans les institutions.

Vous en souhaitant bonne réception, je vous prie d'agréer, Excellence Très Honorable Président, l'assurance de ma très haute considération.

POUR LA COMMISSION PERMANENTE CHARGEE DES QUESTIONS ADMINISTRATIVES, DE DECENTRALISATION ET DU CONTROLE DE LA REPRESENTATIVITE DANS LES INSTITUTIONS;

Sénatrice Rénilde NDAYISHIMIYE, Présidente.

P.O. NJIJI Désiré V-P

INAMA
NKENGUZAMATEKA

Adresse : Av. du Peuple Murundi
Tél : (+257) 22 40 50 08
22 40 50 23
Site Web : www.senat.bi
E-mail : info@senat.bi
: senat@senat.bi

N. Réf: ***SNB/ COM.V/...../2023***

Umurwi wamaho ujejwe ibibazo vy'intwaro, kwegereza ubutegetsi abenegihugu no kugenzura ingene baserukiwe mu nzego z'igihugu

LEG.VI/Q.O N°17

Le 02 FEVRIER 2023

REPUBLIQUE DU BURUNDI
Cabinet du Président
B.P 114 Gitega Tél 22 40 50 08
22 40 50 23
SENAT

IKIBAZO CUGURUYE GISHIKIRIJWE UMUSHIKIRANGANJI W'INTWARO YO HAGATI MU GIHUGU, ITERAMBERE RUSANGI N'UMUTEKANO CATEGUWE N'UMURWI WAMAHO UJEJWE IBIBAZO VY'INTWARO, KWEGEREZA UBUTEGETSI ABENEGIHUGU NO KUGENZURA INGENE BASERUKIWE MU NZEGO Z'IGIHUGU

I. INTANGAMARARA

Mu mabanga Inama Nkenguzamateka ijejwe, harimwo ukugenzura ingene inzego za Reta ziri ku kivi. Ni muri iyo ntumbero ibiro vy'Inama Nkenguzamateka vyasavye abakenguzamateka bahurikiye mu murwi wamaho ujejwe ibibazo vy'intwaro, kwegereza ubutegetsi abenegihugu no kugenzura ingene baserukiwe mu nzego z'igihugu gutegura ibibazo ku bisata vyose bikukira ubushikiranganji bw'intwaro yo hagati mu gihugu, iterambere rusangi n'umutekano.

II. IBIBAZO NYEZINA

II.1. IBIBAZO BIJANYE N'INTWARO

IKIBAZO CA 1

Mu ntumbero yo gutsimbataza intahe yo ku mugina, haratowe abantu cumi na batanu (15) ku mutumba bajejwe kwumviriza ibibazo vy'abenegihugu no kubatunganiriza igihe hadutse amatati y'ibi na biriya. Ivyo biri gurtyo mu ntumbero yo kugabanura imanza z'amatati zahora ziturwa amasentare.

REPUBLIQUE DU BURUNDI
Cabinet du President
B.P 114 Gitega Tél 22 40 50 08
22 40 60 23
SENAT

Nyakwubahwa Mushikiranganji,

a) **abo bantu cumi na batanu (15) boba bakorana gute n'abandi bari basanzwe barangura ibikorwa bene ivyo (abashingantahe)?**
b) **boba bakorana gute na bamwe batanu (5) bo mu ntwaro ku mitumba ?**
c) **nta kwinjiranira mu bikorwa kwoba kurangwa hagati y'iyo mirwi ?**

IKIBAZO CA 2

Mu ntumbero yo gukwirikirana neza ikibazo c'igwirirana ry'abantu, ubushikiranganji bw'intwaro yo hagati mu gihugu, iterambere rusangi n'umutekano bwari bwarategekanije gutanga inyigisho zari zigenewe abakozi bo mu biro vy'iyandikiro ndangamuntu (Etat Civil). Ivyo tukabisanga mu cegeranyo catanzwe n'uwari icegera ca mbere c'Umukuru w'igihugu wo muri ico gihe mu 2018.

Nyakwubahwa Mushikiranganji,

a) **muri izo nyigisho abo bakozi bakurikiranye vyoba vyarazanye akarusho mu bijanye n'ukwandika abana bose bavuka ku buryo twovuga ko muri kino gihe ata ngorane ubushikiranganji murongoye bwogira mu gukurikirana neza ibijanye n'umurindi w'irwirirana ry'abantu muri kino gihugu cacu ?**

b) **mbega muri kino gihe ubuhinga bwa none ko buguma butera buja imbere (l'informatisation) amakomine yose yoba akoresha ubwo buhinga bwa none kugira iyo umwenegihugu abituye arondera urupapuro kanaka, aha twovuga nk'urwamavuko eka mbere na karangamuntu, biheza bikaborohera batabanje kuja kurondera mu bitabo na vyo nyene hamwe hamwe usanga bitabitswe neza ?**

c) **Mu gihe hoba hariho amakomine bariko bakoreramwo igeragezo (communes pilotes), mwotubwira akarusho mwabonye mu vyerekeye uburyo bwinjira muri komine (informatisation des recettes communales) ?**

REPUBLIQUE DU BURUNDI
Cabinet du President
B.P 114 Gitega Tél 22 40 50 08
22 40 50 23
SENAT

IKIBAZO CA 3

Abatwara ibisata bimwe bimwe mu vyo bijejwe harimwo ugutanga impapuro nkenerwa ku bantu bavyitura baridoga cane ko bagira ingorane nyinshi ku vyerekeye ikarata karangamuntu ikoreshwa hano mu gihugu cacu c'Uburundi. Bavuga ko kenshi bahura n'ingorane z'ababitura bafise iyo karata ariko bihweje neza bagasanga n'inyibano kuko abo bantu hari aho usanga atari n'Abarundi. Ikibabaje ni uko usanga umengo abategetsi bo mu nzego zo hasi barabifisemwo uruhara.

Nyakwubahwa Mushikiranganji,

a) **mwoba mugejeje hehe ibikorwa vyo gutegura no gutangura gukora ikarata karangamuntu mu buhinga bwa none (Digitalisation de la carte nationale d'identité) kugira ngo dusezerere burundu ayo manyanga?**

b) **Ko twama twumvise abantu bubakana imbere y'amategeko kabiri kabiri canke mbere na gatatu kubera ko iyo karata karangamuntu uwuyikeneye ayisaba kandi akayironka bitabagoye aho ashitse hose, nta kuntu abajejwe kwandika abageni bobanza kubatuma impapuro zisinywe na ba bantu batanu bo mu ntwaro batorwa umwe wese ku mutumba avukako mu ntumbero yo kuzitira iyo ngendo igayitse ?**

IKIBAZO CA 4

Ugendagenze mu gihugu cacu c'Uburundi, usanga hariho intara zifata iya mbere mu kwubahiriza ibiciro vyashinzwe ku binyobwa vya Brarudi n'isima ya BUSEKO. Igitangaje ni uko izo ntara atari zo zegereye cane ayo mahinguriro.

Nyakwubahwa Mushikiranganji,

a) **mwotubwira igituma abajejwe intwaro bamwe bamwe batubahiriza ibiciro vyashinzwe na Reta (inzoga, isima, inyama, kwiyunguruza n'ibindi)?**

b) **ubwo ntimubona ko hari agahaze ku barongozi na cane cane abo hasi kuko bakingira ikibaba ababidandaza bahonyanze agateka k'abaguzi?**

c) **mubona vy'ukuri ya nyabune iriko irarangura neza imirimo ijejwe?**

IKIBAZO CA 5

Mu minsi iheze, amakomine atari make yarafise ibibazo vyo kuriha amahera aheraniye ishirahamwe rijejwe kuvuza abakozi ba Reta be n'irijejwe kubategekaniriza kazoza mu gihe bakukurutse. Izo komine zategerezwa kurihira rimwe amahera babaciriye kubera batevye kuriha kandi bongera bariha ayo umukoresha arihira umukozi muri izo nzego zibiri.

Nyakwubahwa Mushikiranganji,

a) **mwotubwira aho amakomine agejeje ico gikorwa co kuriha ayo mahera ?**
b) **ubwo nta bakozi bakora mu makomine bazoshikana imyaka yo gukukuruka bagasanga ntaco bariko bararonka kuko umukoresha atabatangiye intererano?**

IKIBAZO CA 6

Turumva hirya no hino abantu bagurisha amatongo ku bantu barenga umwe, ivyo bikabera cane cane ahari ibisagara. Ugasanga ku mpapuro zerekana ubuguzi bw'itongo abajejwe intwaro barateyeko igikumu kandi bazi neza ko uyo ariko arahagurisha yigeze kuhagurisha n'uwundi.

Nyakwubahwa Mushikiranganji, mwotubwira ico mutegekanya gukora kugira mutuze burundu iyo ngendo igayitse y'abajejwe intwaro bemeza ibintu nk'ivyo ?

IKIBAZO CA 7

Mu vyo ubushikiranganji bw'intwaro yo hagati busanzwe bujejwe harimwo n'ibijanye n'iterambere rusangi, aha rero twovuga n'ibijanye na wa mugambi Reta yashira imbere wa « EWE BURUNDI URAMBAYE ».

Nyakwubahwa Mushikiranganji,

a) **kuva uwo mugambi utangura kugeza n'uyu musi woba warateye imbere ?**

REPUBLIQUE DU BURUNDI
Cabinet du President
B.P 114 Gitega Tél 22 40 50 08
22 40 50 23

b) Hamwe woba utateye imbere ni izihe ntambamyi zoba zarawubujije gutera imbere ?

c) mbega ko twama tubona mu gihe haba hariko haraterwa ibiti mu bice bitandukanye vy'igihugu abajejwe umutekano hamwe n'abajejwe kwivuna abansi usanga ari bo benshi bibonekeza muri ico gikorwa, abandi benegihugu ko bataboneka kwoba ari ukutararikwa ?

IKIBAZO CA 8

Rusansuma iheruka yabaye muri 2008, ubu muri kino gihe haheze imyaka cumi n'ine ata yindi irakorwa.

Nyakwubahwa Mushikiranganji, mwotubwira iyindi yimirije aho imyiteguro yayo igeze ?

REPUBLIQUE DU BURUNDI
Cabinet du Président
B.P 114 Gitega Tél 22 40 60 08
22 40 50 23
SENAT

IKIBAZO CA 9

Hariho umugambi wo kuronsa amatara amakomine atayigeze.

Nyakwubahwa Mushikiranganji, mwotubwira aho uwo mugambi ugeze ?

IKIBAZO CA 10

Kugira ngo abagendesha imiduga bagabanye umuvuduko, harakenerwa amadodani.

Nyakwubahwa Mushikiranganji, hari umugambi wa vuba woba uhari kugira ngo zijeho aho zitari ? Aha twotanga akarorero k'amabarabara RN7, RN19, n'ahandi.

IKIBAZO CA 11

Hariho integuro y'ibwirizwa ryasubiramwo ivy'amashengero n'amadini ryemejwe ngaha mu Nama Nkenguzamateka igenekerezo rya 10 Myandagaro 2022.

Nyakwubahwa Mushikiranganji,

a) iryo bwirizwa ryoba rigeze hehe mu gushirwa mu ngiro ko tubona hari vyinshi bitaraja mu ngiro nk'ibijanye n'inyubako zubakishije ivyondo, imigano , ubumwanya, amarenga, uburyo butangwa nk'imfashanyo, n'ibindi ?

b) mwoba mwaramaze gushiraho rwa rwego rujejwe gutatura amatati yadutse mu mashengero (Conseil d'arbitrage interne au sein des confessions religieuses) ?

II.2. IBIBAZO BIJANYE N'ITERAMBERE RUSANGI

IKIBAZO CA 1

Haraheze imyaka cumi irenga, indongozi zarasubijeho ibikorwa vy'iterambere rusangi, bagahamagarira abatware kuva ku nzego zo hasi n'abenegihugu gukorera hamwe mu kurangura ibikenewe ku rwego rwo ku mitumba no mu makomine.

Muri iyo ntumbero, hararanguwe ibikorwa vyinshi kandi bitandukanye. Aha twovuga inyubako rusangi nk'amashure, amavuriro mato mato, inzu zikoreramwo abarongozi b'amakomine n'imitumba, inzu zikoreramwo abakuru b'intara, ibiraro, amabarabara y'imigenderanire, amashure ya kaminuza, ibibuga vy'inkino zitandukanye n'ibindi.

Nta n'umwe yohakana ko ibikorwa rusangi bisahiriza bimwe biboneka mw'iterambere ry'igihugu, naho hakiri agahaze kuko bitarashobora guharurwa kugeza ubu, ngo bishobore gushirwa mu biharuro vy'ubutunzi bw'igihugu.



Nyakwubahwa Mushikiranganji,

a) **Ntimubona ko ari ivya nkenerwa ko hajaho itegeko ritunganya ibikorwa rusangi bigakorwa na zina murundi wese ata n'umwe avuyemwo?**

b) **Ntimubona ko ivyo bikorwa vyari bikwiye kugira indinganizo kuva ku nzego zo ku mitumba n'amakomine bakagira urutonde rw'ibikorwa birangurwa, aho bizorangurirwa, amatariki, ibikoresho bikenewe hanyuma bikamenyeshwa abo vyega kugira ngo bizokworohe kubishira mu ngiro no kubigenzura?**

IKIBAZO CA 2

Kuva mu mwaka w'2019, Reta y'Uburundi yarashize mu ngiro umugambi w'amakoperative SANGWE ku mitumba yose igize igihugu c'Uburundi. Umutumba wose ukaronswa ingurane y'amafaranga angana n'imiriyoni cumi (10.000.000) z'amarundi. Ayo makoperative akaba ahanini akorera mu gisata c'uburimyi n'ubworozi bwo nkingi y'iterambere ry'Uburundi. Kugira ngo ashobore gukora neza, Reta y'Uburundi

REPUBLIQUE DU BURUNDI
Cabinet du Président
22 40 50 08
22 40 50 23
SENAT

yarashizeho itegeko nshikiranganji n°540/530/1317 ryo ku wa 3 mutarama 2021 rishinga uburyo ingurane zihabwa amakoperative zitangwa, zikoreshwa n'ingene zishurwa.

Amatwi adusumira kandi, nkuko n'icegeranyo ca Sentare yubahiriza amatungo ya Reta c'umwaka w'2022, itunganywa ry'ayo makoperative ryoba ritifashe neza. Sentare yubahuriza amatungo ya Reta iratanga akarorero k'aho mu makoperative 50 yo ku mitumba y'intara ya Muyinga yaronkejwe izo ngurane, koperative imwe yonyene niyo yashoboye kwishura amafaranga makeya ku yo yari yahaweko ingurane (3.904.000).

Mu Kayanza naho, bivugwa muri ico cegeranyo ko amakoperative ataronswa ingurane ikwiye kuko ku miriyoni icumi bahabwa, bashikirwa n'imiriyoni indwi gusa, zitatu nazo zigahabwa urunani rw'amakoperative y'intara (Féderation des coopératives " de la province). Ivyo rero bigatuma abagize amakoperative badebukirwa cane.

Twihweje neza tubona ko ico cegeranyo gisa n'igikebura kandi kikagabisha ababijejwe kugira ngo amafaranga y'igihugu ntabandanye akoreshwa nabi ku buryo ashobora kugenda amazimayongo hamwe ata cokorwa vuba.

Nyakwubahwa Mushikiranganji,

a) **mwoshobora kuduha urutonde rwerekana uko amakoperative y'imitumba yifashe mu bijanye n'ingene yakoresheje ingurane yagiye araronswa muri iyi myaka 2 iheze? Aha dushaka kumenya cane cane amafaranga amakoperative yaronkejwe, ayo yashoboye kwishura n'ingene bategekanya kwishura ayahombejwe n'ayashobora kuba yaribwe.**

b) **Mbega amakoperative sangwe yose yoba ategerezwa kugira indinganizo zimwe mu bijanye n'inzego ziyarongora?**

c) **Hamwe vyoba biri uko, urwego rwitwa Fédération des coopératives rwoba rwemewe n'itegeko rigenga amakoperative y'imitumba SANGWE? Hamwe rwoba rwemewe, ivyo rukora mu gutoza imiriyoni**

zitatu zitatu ku ngurane za buri koperative y'umutumba mu ntara ya Kayanza rwoba ruvyemerewe?

IKIBAZO CA 3

Mu cegeranyo ca Sentare igenzura amatungo ya Reta, aho yari yagendeye komine Giheta mu ntara ya Gitega, ku rupapuro n°35 agace ka 2 (point 2) baravuga ko hari amafaranga y'ikori yegeranijwe n'abakozi ba komine mugabo atashikanywe mu kigega ca komine. Ivyo rero bishobora kuba bishika no mu yandi makomine y'igihugu cacu ngira ngo ni uko batashoboye kuhashika hose.

Nyakwubahwa Mushikiranganji mwoba mutegekanya iki kugira ngo murwanye ubwo bunyonyezi bw'amatungo y'amakomine bukorwa n'abakozi badashikana mu kigega amakori n'amatagisi batoza?



III.3. IBIBAZO BIJANYE N'UMUTEKANO

Ku munsi abasirikare n'abaporisi bifuriza umwaka mwiza Nyenicubahiro Umukuru w'igihugu c'Uburundi, Kizigenza Umukuru w'igihugu Evariste NDAYISHIMIYE, mw'ijambo yashikirije abasirikare n'abaporisi, yaramenyesheje ko poritike y'itunganywa gushasha ry'imishahara iraba Abarundi bose ata mwana n'ikinono ngo naho benshi biyumvirako abajejwe umutekano no kwivuna abansi batarimwo. Yarabahumurije mbere anavuga ko abariko babitunganya boraba ivyo vyose bituma abahora bahurumbira izo nzego batakizihurumbira ahubwo bagahitamwo iyindi mirimo ibungukira ningoga, aha yatanze akarorero ko kworora inkwavu.

Yasavye ko nkuko abandi bakozi ba Reta babonamwo akarusho muri iyo poritike nshasha yo gutunganya imishahara, ko abajejwe izo nzego bobikorerako kugira abajejwe umutekano no kwivuna abansi baronkemwo akarusho.

Yaratanze akarorero afatiye ku rupapuro rw'umutsindo n'uburambe mu kazi, yaravuze ko yaba uwuri mu murwi w'abasirikare canke abaporisi batoya, yaba ibisongerezi vy'intwazangabo canke intwazangabo bose baba bafise urupapuro rw'umutsindo iyo bahejeje arya mashure asabwa kugira binjire muri izo nzego. Ati rero iruhande y'izo

mpapuro z'umutsindo baca baja kwiga ishure ry'ubuhinga rya gisirikare canke ry'igiporisi. Yaciye amenyesha ko urwo rupapuro akura muri izo nyigisho ruca rumuha agaciro bigasaba ko rwopimwa hamwe n'izindi mpapuro z'abo bandi bakozi ba Reta hisunzwe iryo shure ry'ubuhinga yongeyeko.

Kubw'ivyo vyose yasavye ko abaserukira abandi bogenda kuvyiga bakaraba agaciro k'urupapuro rw'iryo shure ry'ubuhinga bw'umutekano canke kwivuna abansi aba ari rwo rupapuro bazofatirako mu gutangura guharura.

IKIBAZO 1

Nyakwubahwa Mushikiranganji,

a) **mbega mwoba mwari mwariyumviriye gutangura gutunganiriza abagize izo nzego nk'abandi bakozi ba Reta mwisunze iyo poritike nshasha y'imishahara imbere yuko Nyenicubahiro Umukuru w'igihugu arivumera ?**

b) **namba mwatanguye kubikora inyuma yaho arivumereye, ivyo bikorwa vyoba biteye ku yihe ntambwe mugereranije aho ivyerekeye abakozi ba Reta batari muri izo nzego boba babiteje ?**

c) **mbega ibijanye no guha agaciro urupapuro rwose uwujejwe umutekano canke kwivuna umwansi yagiye aronka bigeze hehe kugira bikunde abagize izo nzego baronke uburusho bujanye na poritike nshasha iraba ivy'imishahara ?**

d) **mwihweje akarusho kazova mw'ishirwa mu ngiro rya poritike nshasha y'imishahara mu nzego z'umutekano, mubona bizotuma urwaruka rusubira guhurumbira kwinjira muri izo nzego gusumba uko vyifashe uyu munsi ?**

REPUBLIQUE DU BURUNDI
Cabinet du Président
B.P 114 Gitega Tél 22 40 50 08
22 40 50 23
SENAT

IKIBAZO 2

Ko twumva ko mu rwego rujejwe umutekano hariho abaporisi babandanya bahembwa kandi batakiri ku mirimo (abapfuye n'abataye akazi).

Nyakwubahwa Mushikiranganji,

a) ivyo bintu mwoba mumaze kubibona ?

b) mbega mu gihe vyogaragara ko hariho ababifisemwo uruhara, mutegekanya iki kuri abo bantu bazoba baranyuruje ubutunzi bw'igihugu ?

KU BW'UMURWI WAMAHO UJEJWE IBIBAZO VY'INTWARO, KWEGEREZA UBUTEGETSI ABENEGIHUGU NO KUGENZURA INGENE BASERUKIWE MU NZEGO Z'IGIHUGU ;

UMUKENGUZAMATEKA Rénilde NDAYISHIMIYE,
UMUKURU W'UMURWI.

P. O. NJIJI Désiré, V.P.